Ubutumwa bw'ukuri

Imana irakiza

na Gabriele

Vyakuwe mugitabo:

Imana irakiza

(Igitabo kiriho mu gifaransa n'icongereza)

1ère édition en Kirundi: décembre 2025

N° Réf.: G362bi

Traduit de l'allemand, titre original:
GOTT heilt

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Vyavuye mu gitabo

Imana irakiza

N'ivyizigiro bingana gute kandi n'ivyipfuzo bingana gute bihishijwe mu mutima w'umuntu kubijanye n'ijambo gukira!

Ugukira kuzana ukworoherwa, ukwirurwa no kubohoka, kuzana amahoro aho atari. Ijambo «ugukira» risigura urukurikirane ruja ku magara meza ntabwo ari gushika ku rukurikirane rwo gukira.

Ni nde adashaka gukira?

Ni nde atarizwa n'ingorane z'amagara zaba izoroshe canke izikomeye yipfuza kubohokako?

Umuntu akiri muzima arondera ugukira kwo hanze, ariko urukurikirane rw'ugukira no kuba uwakize, bifatanye n'urutonde shingiro rw'ikiremwa c'imbere. Ugukira, munsiguro yakwo yimbitse cane, gushika k'uduce tw'umushaha aritwo tugize inkomoko y'ikiremwa muntu kandi muritwo ni ho hari ubuzima nyakuri.

Ni gute twokwiyugururira isoko ry'inkomezi zikiza?

Inkomezi z'imbere ibwina cane mu kiremwa muntu, ni Mpwemu.

Imana ni inkomezi z'urufatiro rw'ukubaho kwose.

Iyo Mpwemu yejejwe mu vyaremwe vyose ni ubuzima mu vyaremwe vyose, co kimwe no mu bifise ubuzima biri kw'isi.

Impwemu y'Imana nibwo buzima bubeshaho umushaha w'ikiremwa muntu co kimwe na buri gace k'umubiri. Mpwemu rero ni we buzima, niwe nkomezi z'ubuzima, niwe nkomezi zikiza. Nimba twipfuza kuronka ugukira kuvuye kuri Mpwemu, dutegerezwa kubaho ubuzima bujanye n'urukurikirane rwo gukira, n'ukuvuga guha ubuzima ivyiyumviro vyacu n'amajambo yacu. (...)

Ikiremwa muntu kirashobora kurindwa ingwara, ibibazo, no kutaroranirwa igihe gitahuye inkomoko yaco, ariyo Mpwemu kandi kigaharanira ugukura kwo hejuru mu buryo bw'impwemu mu kwibanda mu gushira mu ngiro amabwirizwa y'impwemu yejejwe.

Ibwirizwa riruta ayandi, ririmwo vyose, ni urukundo. (...)

Igihe c'agace. Igihe c'umuyaga.
Umugende w'inkomezi mu vyaremwe vyose.
Isi igeze ahatemba.
Ni he hova ubufasha nyakuri?

Turi mu gihe c'agace, kandi mu buryo bw'impwemu n'igihe c'umuyaga kidufasha gukura kandi kikadushoboza kubaho ubuzima bw'impwemu no kurondera kwiyinjiramwo.

Misi yose abantu benshi ntibaronka intumbero canke ubufasha mu buzima busanzwe. Ukuri guhoraho kuratuma abantu benshi barondera imico n'ivyiyumviro vyo hejuru. Bahindukirira imbere muri bo kugira baronke agakiza n'ubuzima. (...)

Mpwemu ahoraho atanga agakiza n'ubuzima, Imana, urukundo, ntabwo atererana ibiremwa bantu. Uko ivyago vyabo bikomera, niko Mpwemu akora n'ubushobozi muri iy'isi. Arigisha abana biwe kandi akababaha ukuruhuka no gukira. (...)

Ntanakimwe cijana.
Twimbura ivyo twabivye.

Ntanakimwe cijana. Ico ikiremwa muntu kibiba, kizocimbura, kiretse iyo cihatiye vy'ukuri mukwirimbura no mukwitahura mumakosa yaco. Kirashobora rero gutahura vuba vyihuse inyifato yaco yamakosa, kigatahura ivyo cononye muguhemuka kumabwirizwa yejejwe maze kikagira akigoro ko gutunganya vuba. Aho rero twovuga ko ari ubuzima vy'ukuri tubamwo.

Uwutahura ko vyose ari inkomezi kandi ko ata nkomezi nimwe yijana, aratahura kandi ko ivyo turungika vyose bitugarukako: zaba inkomezi, imyiyumvire, ivyiyumviro, amajambo, ibikorwa, vyaba ibikorwa vyiza canke bibi, ubwoba, inzigo, ukwipfuza, ubuhambazi no gupfuha. Ivyo birinjira rero mu mushaha wacu kandi bikaduhindukirira, bihwanye n'uburyo twiyumvira, n'uburyo dukora mu mubiri wacu. (...)

Ukwemeza inkomezi z'imbere. Isengesho ryiza. Agacere

Okiremwa muntu kiri kw'ishure ry'ubuzima. Isi kuri co ni ikibanza co kwigiramwo uko cohinduka. Dutegerezwa gutahura ayo mahirwe kandi nk'inkurikizi twibande kugutyorora umushaha wacu, umugabane wacu uva ku Mana, mu kwiyerekeza, nk'ikiremwa muntu, ku ntumbero nyakuri y'ubuzima kandi mu kwemeza muri twebwe inkomezi z'imbere, inkomezi z'Imana, arizo nkomezi zikiza kugira zitembe kubwinshi muri twebwe.

Dutegerezwa kwisuzuma kugira tuvuke ubwa kabiri muri Mpwemu, kugira turonke agakiza k'imbere, gutyo dushobore kuronka kandi ugukira kuvuye kuri Mpwemu. Dusabwa kwubaha amabwirizwa y'ubuzima; ico gihe tuzana muri twebwe isoko rigaburira buri gace k'umubiri. (...)

Ivyiyumviro vyiza bikuza umushaha n'umubiri mu nkomezi zo hejuru. Ukuganza ivyiyumviro vyawe, ni ukuganza ubuzima bwawe

Ivyo bisigura ko kwiyumvira mu buryo bwiza, bingana no kubaho mu buryo bugororotse. Uwutisuzuma mu vyiyumviro vyiwe, ntaganze ingeso ziwe araneshwa kandi n'ubushobozi bw'ivyiyumviro bwaho ari, kuko ivyiyumviro bivuka bitewe n'ikirere giterwa n'ibitubamwo. (...)

Ntacizana, dutegerezwa kugira akigoro kandi tukarongora ubuzima bwacu neza. Dusabwa guhindura ubuzima kugira buronke ubwenge n'inkomezi. Kubw'ivyo, dutegerezwa kubaho mugutahura!

Inkomezi nziza zirahindura inkomezi mbi ziri muri twebwe, kenshi nakenshi tudatahura. Tuzoca twishurwa rero vyimbitse kandi tubeho vyuzuye, mugutahura, buri musi, buri saha na buri munota, bizotuma tuba abanezerewe kuko iyo tubikoze turonka inkomezi zejejwe. Izo nkomezi zitungisha ubuzima bwacu maze tugakora buri musi ubugombe bw'Imana.

Ivyiyumviro vyacu vyiza vyugurura isoko ry'ubuzima muri twebwe

Iciza cose, cejejwe, gitunganye, inkomezi zose nziza, ziva ibwina cane mu mushaha wacu, mw'isoko ry'imbere ridacika, ry'Imana.

Ni twabaho mu kwezwa, tukabana mu bugwaneza n'inkomezi zose, ntituzoronka gusa inkomezi zacu karemano ahubwo zizokwama zigwiza ubudasiba. Ariko nitwaca imigenderanire yejejwe, mu kwiyumvira no mugukora ivya kameremere, bibi, mu kubiba urwanko, ukwipfuza,imishwano, mu gushira inzigo mu vyiyumviro vyacu, turatakaza inkomezi, haba mu mpwemu canke mumubiri.

Icuma c'umuyagankuba kizunguruka igihe kiba gicometse kumuriro. Igihe baciye umuriro, icuma ntigisubira gukora.

Niko bimeze no ku kiremwa muntu. Ni twakora kenshi ibinyuranye n'amabwirizwa ari mu vyaremwe vyose, ibinyuranye n'inkomezi z'ubuzima, ntidushire ubuzima bwacu mu biganza vya Mpwemu, ntitubeho mu buryo bw'indero, inkomezi z'impwemu ziragabanuka mu mushaha no mu mubiri. Uko inkomezi zitakara, niko ingingo zacu zicika intege, hama

zigafatwa n'indwara. Duhinduka abakene mu nkomezi tuvyiteye, inkomezi zacu zigakoroka. (...)

Nimba dushaka amagara meza, tugashaka ko umubiri wacu ukizwa n'inkomezi za Mpwemu, dutegerezwa gukurikiza ayo mabwirizwa y'ubuzima: Inkomezi mbi zataye igihe, zihungabanya umushaha n'umubiri. Ariko inkomezi nziza, zejejwe, zitunganye, ziha inkomezi umushaha n'umubiri kandi zikazana amagara meza. Ugukira rero kurashobora kuranguka kuva imbere kuja hanze k'umubiri biciye munkomezi z'Imana muri twebwe.

Dutegerezwa rero ubwambere kwiyugururira inkomezi nziza, mu kunesha inkomezi mbi ziri mu myiyumvire yacu, mu vyiyumviro vyacu, mu majambo n'ibikorwa bibi, ahubwo tukazana ivyiyumviro, amajambo, n'ibikorwa vyiza, vyemewe, vyubaka. Niho tuzoshobora rero kwakira muri twebwe inkomezi nziza arizo nkomezi kandi zikiza zitanga n'ubuzima.

Nuko, imbere yo gukangura inkomezi zimbere, dutegerezwa kwibohora ku vyiyumviro vyacu bibi, mugukuraho ivyiyumviro vyose bihamagara ingwara, kuko bitabaye uko,

ivyo vyiyumviro bishobora guhamagara izindi ngwara canke bigakomeza ingwara iri mumubiri. (...)

Ivyiyumviro ni inkomezi. Uko dukomeza iciyumviro niko ico ciyumviro, kiba ikidasanzwe, maze kikatugirako ubushobozi.

Kandi bishobora kudukomerana, igihe tugwaye, dutegerezwa gutahura ko biciye mu nkomezi z'ivyiyumviro vyiza turashobora gukuraho imibabaro myinshi canke tukitegurira kwakira inkomezi nziza muri twebwe. Tugire ishaka ryogufata nkama imibabaro yacu, ingwara zacu, ibitugora, canke ingorane nk'ingaruka zivyo twakoze! Tugerageze kwizera ubushobozi n'inkomezi za Mpwemu zishoboye vyose. Niho tuzoshobora kugira ubushakashatsi ko inkomezi z'Imana zibaho, ziruhura kandi zikiza, ziraduherekeza kandi zikatuyobora.

Kristo, umuganga n'umuvuzi w'imbere mumushaha wacu

Inkomezi z'impwemu, inkomezi zikiza, turondera ngaha ni inkomezi za Kristo zikorera muri twebwe. Kristo ni umuganga akaba n'umuvuzi w'imbere. Inkomezi ziwe zirashobora kwigaragaza mu mubiri wacu kandi zigakura imibabaro mu mubiri.

Ico gihe, izo nkomezi zishobora gukora igihe dushize ivyiyumviro bikiza mu Mana kandi tukuzura urukundo rwimbitse ku Mana Yo iri kure y'ingwara yose, n'amakuba yose, mu Mana hari ubuzima gusa.

Dutegerezwa kwirinda mu vyiyumviro vyacu no mu vyo tuvuga, amajambo yose afitaniye isano n'ingwara, nk'akarorero «kuba uwugwaye», kugira inkomezi zikiza zimpwemu zishobore gushira mu ngiro icipfuzo cacu co gukira. Zishira hejuru umushaha wacu n'umubiri wacu kurugezo rwo hejuru rushoboza umushaha gukira biciye ku muganga n'umuvuzi w'imbere. Kandi igihe vyoba vyiza k'umushaha, ugukira kurashika no mu mubiri wacu, biciye mu mushaha.

Kristo umuganga n'umuvuzi w'imbere, we twiyerekezako, abanza gukiza umushaha. Igihe umushaha umerewe neza, uca urungika inkomezi nziza, zikiza, k'umubiri wacu. (...)

Kura uruhagarara, ukwijirirwa no kudadarara imitsi uzane kwisanzura hamwe n'agacerere.

Ni mugacerere inkomezi zigira ikimazi, ugukira kw'umushaha n'umubiri bigashoboka. Ni co gituma dutegerezwa kubanza gushikira agacerere k'imbere, kugira inkomezi zikiza zimpwemu zikore. Nimba dufise ikibazo co gushikira ako gacerere k'imbere, ntitwishavuze, ntituje muri birebire, ahubwo tugerageze kuguma mu gacerere no kuzana ivyiyumviro biruhura. Umubiri wacu uca ukora ako kanya ibihwanye n'ingendo zacu n'ivyiyumviro vyacu bituganza. (...)

Turashobora gufata ikirere c'inyiyumvo zacu nk'ikiyaga gitwarwa n'umuyaga w'inkazi. Hama ako kanya, umuyaga ugahagarara, inzinguzingu

zimifunda zikavaho kandi ikiyaga kikagira agacerere, kigatuza nk'icirore. Ubwo bwoko bw'ivyiyumviro ni n'akaryo kandi ko kuruhura ikirere c'inyiyumvo zacu. Uruhagarara n'intambara vy'imbere birashobora gukurwaho.

Dutegerezwa gukurikirana neza vy'umwihariko uko imitsi nsozabwenge ikora. Ico giti c'ubuzima kiri mu kiremwa muntu gikora igikorwa gihambaye mu mubiri wacu, mu kugira uruhara ku magara meza canke kungwara. Ni ibintu vyinshi bishobora guteza ukwijirirwa. Bishobora kuva kukurengerwa n'ibikorwa vyo muhira canke bikava ku ngorane za kera zishobora kuba isoko ry'ingwara. Nubwo twoba dufise inyiyumvo n'ivyiyumviro bikiza, igihe imitsi yacu imaze kudadarara no guhungabana, inkomezi za Kristo ntizishobora gutemba mu buryo bwigwiza. Zishobora rero gutemba mu mubiri igihe imitsi nsozabwenge, zicamwo, itekanye.

Gutyo, ukudadarara kwose kurababaza, kwaba kuva kuvyiyumviro bibi canke uruhagarara. Igihe imitsi nsozabwenge yacu itameze neza, inkomezi zihoraho, z'ubugwaneza kandi zizana ubugwaneza ntizishobora kutuzanira ubufasha, ukuruhuka no gukira – nkuko Imana ibishaka.

Igihe wipfuza guhindukirira inkomezi za Mpwemu no kuziha ikibanza ca mbere mu buzima, birahambaye ko dutahura ko ivyo bidashoboka uyu musi canke ejo. Waba umushaha canke ikiremwa muntu ntibishobora kwibohora mu mwanya muto kungeso n'inyifato vya kera vyashinze imizi kuva kera.

Umwe wese ategerezwa gutahura uruhara rwiwe. Uguhinduka guhera muri we nyene

Nimba dushaka kugira amagara meza, dutegerezwa kubona no kwiyumvamwo Imana mu bintu vyose, mugushira mungiro amabwirizwa y'Imana y'urukundo rutironderera inyungu, amahoro n'ubugwaneza; tukabona kandi tukiyumvamwo icejejwe, ciza, gitunganye kandi c'agaciro mu bifise ubuzima vyose kandi no gusonera igifise ubuzima cose; atari kwigirisha gusa mukuvuga ubuzima, Imana n'icokorwa cose kugira dushikire ikirere ciza.

Umwe wese ahamagarirwa guhera kuri we nyene.

Uwimenyereza guhinduka, kwiyumvira no kubaho mu mabwirizwa y'Imana, ateza imbere ukumurikirwa kwiwe. Yerekeza ubuzima bwiwe ku vyejejwe. Ntaba acigaburira ivyiyumviro bibi, bibomora kandi ntaba agiteza imbere inyifato nkizo. Ahubwo abaho mu mahoro na mugenzi we, n'Isi, n'ivyaremwe vyose.

Amahoro ntahandi ava atari mu kiremwa muntu ubwaco, kuri umwumwe wese kugiti ciwe, niyashishikara kwiyumvira no kubaho mu buryo butironderera inyungu kandi agasonera ubuzima.

Umwe wese niwe yifatira ingingo atari ku buzima bwiwe na bagenziwe gusa ariko kandi afata ingingo no kw'Isi co kimwe no kugifise ubugingo cose kw'isi. Umwe wese rero niwe abazwa ivyiwe, ivyiyumviro vyiwe n'ibikorwa vyiwe. (...)

Nk'ingaruka, ntitwategerezwa kwiyumvira ko ari mugenzi wacu, idini, canke reta izobihindura. Umwe wese muri twebwe biramuraba. Ni bwo buryo bwonyene bwo gushobora kurungika inkomezi nziza, zubaka kandi zikora mu buryo bwiza – zifitaniye isano n'izindi nyinshi bisangiye impwemu – kuri bamwe batera

intambwe bava mu gitutu c'ivyiyumviro vy'Isi. Muri ubwo buryo turakora mu buryo bwiza kw'Isi ari nayo tubumbwemwo.

Yesu yaravuze: «Ico ukorera uwuri hanyuma yabandi bose mu bavukanyi banje ni jewe ugikorera»

Imana ni vyose muri vyose. Ikibi dukorera mugenzi wacu, dukorera ibidukikije, kitugarukako ubwacu.

Nimba dushaka gukuza inkomezi z'umushaha wacu n'umubiri wacu, dutegerezwa guhindura inyifato yacu y'imbere. Nimba ibigumbagumba, ivyiyumviro, amajambo n'ibikorwa vyacu ari vyiza, tugatangura kubaho ubuzima butironderera inyungu, no kwubahiriza mugenzi wacu, tukamukunda no kumukorera iciza, tukubahiriza ubuzima bw'isi n'ibidukikije, rero biciye mu bufasha bw'inkomezi za Yesu Kristo, imbere muri twebwe, Inkomezi zacu, zizotyororwa kandi zizirwiza.



Turi abana b'Imana.
Isoko ry'inkomezi n'ubuzima
biri muri twebwe.
Dutegerezwa kwigiza kure ubwenge
bw'ivyiyumviro bibi.

Oshusho y'ingwara, ingorane, ubwoba, ibibazo n'amakuba bitegerezwa kuva mu vyiyumviro vyacu. Utwigoro twacu twose tube mu kwima agaciro ivya kamere y'umubiri, nk'akarorero ingwara, tukemeza ko dutegerezwa gukira. Mu vyiyumviro no mu kwemeza kwimbitse, twemeza ko ingwara n'iyindi mibabaro bitariho! Aho kwibanda kungwara, ibibazo, ibitugora n'izindi ngorane, turemeza amagara meza, umunezero n'ubugwaneza, ukuroranirwa no guhimbarwa!

Dutegerezwa gufata akanya ko kwiyumvira ku nkomezi z'Imana zitunganye, kumpera yo gukayangana kwayo, ukuri kunyegeje inyuma y'igitutu c'ingwara, umubabaro, amakuba n'ibibazo – tutitaye ku vyo hanze, nk'akarorero ibituzengutse bishaka kutwereka ingwara canke kwandura. Gutyo, turakuza inkomezi zacu, ugukayanganirwa kwacu kuraza, kandi ibimenyetso vy'ingwara birahinduka.

Muri umwumwe wese muri twebwe, mu vy'ukuri imbere muri we, ni umwana w'isumba vyose kandi imbere muri we hari ubuzima bwejejwe. Dufatiye ku nkomoko yacu, turi abejejwe. Ubwuzure budatandukanywa nico turi imbere muri twebwe ni amagara meza, amahoro n'umunezero.

Tuzirikane kuri aya majambo: turi abana b'Imana, dufise ubwuzure bwose mu vyaremwe vyose, mu magara meza, amahoro n'umunezero. Dutegerezwa rero guhindukirira Imana, inkomezi n'ubwuzure buhoraho, ntitwongere kuvuga ingwara no kutaroranirwa. (...)

Inzigo itegerezwa kuva mu buzima bwacu. Dutegerezwa gufata mugenzi wacu nk'umugenzi kandi nk'umuvukanyi. Mugufata mpiri ibigumbagumba vyose vy'intege nke, aho niho dushikira amahoro y'imbere. Ni muri ayo mahoro umushaha n'umubiri bironka gukira.

Nkuko imibiri y'isi ifatanye n'ibwirizwa ry'uburemere, ivyiyumviro vyo biganzwa n'ibwirizwa ryo gukwegwa. Tumenye neza rero ko ingwara atari ikindi ahubwo n'umwigaragamvyo w'ivyiyumviro vyacu!

Ivyo dukwega biciye mu vyiyumviro biriyubaka muri twebwe, kuko tuba dufise imbere muri twebwe ibigomba gusa canke bisa navyo. Ibisa birasabirana.

Dutegerezwa guhindura
uburyo twiyumvira.
Ukwemeza muri twebwe kamere yacu
nyakuri bizana ugukira.
Ugukira kwo mu mpwemu
ni urukurikirane aho ikiremwa muntu
cibohora kubibi cikwegeye ubwaco.

Dutegerezwa gutahura ico ivyo bisigura maze tukishira kurutonde dufatiye kuri ivyo vyiyumviro: Imana, Umwami wacu, nta ngwara nimwe yigeze arema. Kubw'ico, mukuri kwayo, nta ngwara zibaho. Ntitukongere kwiyumvira kandi ko tugwaye. Duhebe iciyumviro cose c'ingwara ahubwo twiyumvire kandi twemeze amagara meza muri twebwe. Aho niho, ubwenge bw'uduce remezo twacu bwikangura maze bukaduha inkomezi n'amahoro y'umusesekara. (...)

Dutegerezwa kwiga guhindura burundu uburyo twiyumvira kandi tukerekeza inyiyumvo zacu n'ivyiyumviro vyacu Ku mategeko y'ubuzima. Niho duca dushika k'ukuri, Ku Mana muri Kristo, we aduha kwidegemvya.

Dutegerezwa kwiyambura ivyiyumviro vyose vy'ibibi bitubuza amahoro mu mpwemu no mumubiri, kandi twibande kukuronka ivyiyumviro bishitse kandi vyubaka bizana amagara meza. Duteze imbere ivyiyumviro vy'amagara meza!

Igihe dutahuye kandi tukemera ko Imana ariyo bugingo bwacu, turatahura ko atagishobora kubaho kitari mu Mana. Tureke Imana yigaragaze muri twebwe mukwemera ukwera! Niho inzitane zivyiyumviro bibi bizoja kure. Muri twebwe vyose bizoba ibisobanutse, vy'uburwaneza n'umunezero.

Ingwara nimbi. Imana ntiyaremye ibibi. Ibibi rero mu Mana ntibibaho. Nubwo mw'isi, mu bigaragara, vyibonekeza, mu buzima bwacu nyakuri, mu Mana, ntibibaho vy'ukuri. (...)



Isengesho ry'ukuri ririmwo ugushira mu ngiro

Isengesho n'ikiyago c'ishikira hagati yacu n'Imana. Ubwo rero, ivyiyumviro biri mumasengesho yacu bigira inguvu, igihe ivyo dusaba bisa nivyo dukora buri musi.

Nkakwo, igihe nsenga nsaba amagara meza, ntegerezwa kugira akigoro mu buzima ko kwiyinjizamwo ivyiyumviro vy'amagara meza atari ivyiyumviro vy'ingwara. Niho mba niyugururiye inkomezi zikiza.

Igihe nsenga nsaba amahoro n'ubugwaneza, ntegerezwa kugira akigoro ko kubona iciza muri mugenzanje, kwemeza ivyiza biri muri we kandi ntitumuvugeko ibibi.

Ico ndungika kizongarukako! Igihe nipfuriza amahoro n'ubugwaneza mugenzanje, kandi nkamubonamwo umuco wejejwe, rero ivyiza, amahoro n'ubugwaneza bica bingarukako. Mba ico nkora mumasengesho yanje.

Nimba nipfuza gukundwa, ntegerezwa kugira akigoro ko gukunda mugenzanje. Ivyo ndungika bivana nico ndi kandi ibingarukako bigahwana nivyo ndungika.

Birahambaye rero guhindura uburyo twiyumvira.

Ugusenga kwiza misi yose guhwana nuko twitwara mu buzima. Isengesho ry'ukuri ririmwo gushira mungiro mu buzima bwacu kandi ni umutahe uhambaye.

Gusenga nyakwo bisigura kubaho mu nzira nziza.

Gusenga nyakwo bisigura gushira mu ngiro amabwirizwa y'Imana, kubabarira mugenzi wacu, kumukunda no kumurungikira ivyiyumviro bitunganye, vyiza kandi vy'urukundo, haba no ku mwansi wacu.

Nico bita kubaho isengesho ry'ibikorwa, rikorera muri twebwe kandi ryugururira ubwenge bwacu inkomezi zikiza za Kristo. Uwushobora gusenga nkuko n'umutima wiwe wose kandi agasaba inkomezi n'ubufasha ku Mana azobironka. (...)

Imana yonyene ni yo izi icoba
ciza k'umushaha wacu.
Ni imbuto nziza yonyene izana
umwimbu mwiza.
Urukundo ni ububasha buruta vyose kandi
ni rwo rugize ikiremwa cacu c'imbere.

Ubiba urukundo azimbura urukundo. Ni itegeko rya Mpwemu: Ico turungika nico tuzokwakira.

Ubwo rero, urukundo, ntabwo ari ukwongorera amajambo aryohera amatwi. Urukundo kandi ni ugutungana, ukugororoka, bikenewe ko ruvuga ibijanye n'ibwirizwa ryejejwe. Urukundo, ni ukuvuga ibihwanye narwo. Urukundo, ni igihe imyiyumvire yacu, ivyiyumviro vyacu n'amajambo yacu biba bitironderera inyungu. Urukundo n'ivyo tuvuze.

Ivyo turungika ni vyo bitugarukako, ni vyo bishinga imizi kandi bikatugirako ingaruka. Nicogituma, kuronka inkomezi zikiza bisaba kubaho ubuzima bw'umubano mwiza hamwe n'ubuzima butironderera inyungu.

Urukundo ni ubushobozi buruta vyose buri mu vyaremwe vyose.

Urukundo ni co turi imbere muri twebwe.

Umwe wese muri twebwe arashobora gushikira izo nkomezi ziruta vyose, ziri mu vyaremwe vyose, mu rukundo, kugira dushobore guterera mw'iterambere n'amajambere y'umuntu na buri mushaha wose kugiti cawo.

Nico nipfuriza bagenzanje n'umutima wanje wose.

Indamutso mu Mana,

Gabriele



Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa
no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
www.gabriele-publishing.com

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Nturere amaboko! Komeza!
- Imana muri twebwe
- Yesu n'ibikoko
- Iri n'Ijambo Ryanje. A na Ω
- Kuronka Imana! Hehe? Gute?
- Igarukagaruka ry'umushaha ibakwe ry'Ubuzima
- Kuronka imfashanyo mu ngwara no mu mubabaro
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Inyigisho yo Kumusozi Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye
- Ubuzima butunze gushika mu zabukuru
- Mubaho ibihe vyose. Urupfu ntirubaho

Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose, asiguwe mu mvugo y'uyu musi



Ni gute twotahura amabwirizwa cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zi-dufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose. *(Impapuro 40)*



Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Germany

www.gabriele-publishing.com